**INGINGO ZAPFUNDITSWE MU NAMA Y'ABASERUKIRA ABANDI MURI DIAPSORA NDUNDI MU BIHUGU BITANDUKANYE, YABAYE IGENEKEREZO RYA 07 RUSAMA 2022.**

*Twebwe indongozi ziserukira Abarundi bahurikiye muri Diaspora Ndundi mu bihugu bitandukanye ;*

Twisunze imigambi iriko iratunganywa n'Urwego Nshingwabikorwa rubifashijwemwo na commission ishinjwe zijejwe gutunganya imigambi y'iterambere itegekanywa kurangurirwa mu gihugu c'amavukiro ;

Tumaze kwihweza intumbero commission ijejwe abakenyezi n'imibano yiyemeje gushikako;

Twihweje tugasanga igikorwa co guhinyanyura amategeko agenga Ishirahamwe Diaspora Ndundi kitararangira , ivyo bikaba bishobora kuba intambamyi mwirangurwa ry'iyo migambi iriko irategurwa;

Tumaze kwihweza no kwemeza ibikorwa bizohuza Abarundi b'ishwi bazoba bitavye indwi yahariwe Diaspora ya 2022 , nkuko bitunganijwe n'umurwi ujejwe integuro y'ivyo bikorwa ;

*Dupfunditse ingingo zikurikira :*

**Ingingo ya mbere :**
Abarongoye abandi mu ma OPs basavye ko abajejwe gutegura Inama ya bose ya 2022 bakora ibikenewe vyose kugirango muri iyo nama ( Assemblée Générale ) hazoshikirizwe amategeko azokumvikanwako na bose ku neza ya Diaspora Ndundi n'igihugu c'amavukiro.

**Ingingo ya kabiri :**
Commission ijejwe gutegura imigambi y'iterambere isabwe gukomeza integuro kugirango iyo migambi ize ishikirizwe mu ndwi yahariwe Diaspora ya 2022 .

**Ingingo ya gatatu :**
Abarongoye abandi mu ma OPs barashigikiye Umurwi ujejwe gutunganya ibikorwa bizohuza Abarundi b'Ishwi bazoba bagiye mu Burundi mu kwezi kwa Mukakaro 2022; barashigikiye kandi n'ibikorwa bizorangurirwa mu Burundi muri ico gihe na Commission ijejwe abakenyezi n'imibano.

**Ingingo ya kane :**
Abarongoye abandi mu ma OPs bariyemeje ko igihugu cose kizokwegeranya intererano ingana na itegekanijwe kwegeranywa mu kiringo co kuva

BURUNDI DIASPO PRESIDEN

kw'igenekerezo rya 29.05 gushika igenekerezo rya 15.07.2022 ijejwe gufasha mwirangurwa ry'ibikorwa bitunganijwe mu Ndwi yahariwe Diaspora 2022.

**Ingingo ya gatanu :**

Abarongoye abandi muma OPs bemeje ko abari mu nzengo nyobozi za Diaspora Ndundi bazotanga intererano y'ibikorwa bizohuza Abarundi mu ndwi yabahariwe ingana na US$ 300 ku bari mu Rwengo Nshingwabikorwa n'Urwengo Nshingwantwaro, US$ 150 ku bari mu ma commissions yagenywe hamwe n'indongozi muma OPs.

**Ingingo ya gatandatu :**

Umurwi ujejwe gutunganya ibikorwa bizohuza Abarundi b'ishwi mu Ndwi yahariwe Diaspora usabwe kuzomenyesha mu maguru masha ingene iyo ntererano izotangwa no kugaragaza ingene ubwo buryo buzokoreshwa mu muco.

**Ingingo y'indwi :**

Abaserukira abandi muma OPs basabwe gushira inguvu mu bikorwa vyo kwishira hamwe n'abandi badahuza kugirango Abarundi bose muri ivyo bihugu bashire hamwe inguvu zizotuma biteza imbere kandi bateze imbere igihugu c'amavukiro.

**Vyemejwe n'abaserukiye abandi bitavye inama y' igenekerezo rya 07 Rusama 2022 .**

Bishizweko igikumu n'Umukuru wa Diapora Ndundi

Eric Niragira

BURUNDI DIASPORA PRESIDENT